REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**LOI N°1/16 DU 07 JUIN 2024 PORTANT MODIFICATION DU DECRET-LOI N°1/024 DU 13 JUILLET 1989 PORTANT CADRE ORGANIQUE DES ADMINISTRATIONS PERSONNALISEES DE L'ETAT**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n° 1/20 du 20 juin 2022 portant Révision de la Loi nº 1/35 du 4 décembre 2008 relative aux Finances Publiques ;

Vu la Loi nº 1/09 du 17 mars 2005 portant Distinction des Fonctions Politiques des Fonctions Techniques ;

Vu la Loi nº 1/22 du 25 juillet 2014 portant Réglementation de l'Action Récursoire et Directe de l'Etat et des Communes contre leurs Mandataires et leurs Préposés ;

Vu la Loi nº 1/04 du 24 janvier 2018 portant Modification de la Loi nº 1/01 du 4 février 2008 portant Code des Marchés Publics du Burundi ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/16 RYO KU WA 07 RUHESHI 2024 ISUBIRAMWO ITEGEKO-BWIRIZWA INOMERO 1/024 RYO KUWA 13 MUKAKARO 1989 RISHINGA AMATEGEKO AGENGA IBISATA VYA RETA VYITUNGANIRIZA IBIJANYE N'INTWARO HAMWE N'IKIGEGA**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/20 ryo ku wa 20 Ruheshi 2022 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/35 ryo ku wa 4 Kigarama 2008 ryerekeye ikigega c'igihugu ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ritandukanya imirimo ya poritike n'imirimo y'ubuhinga ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 25 Mukakaro 2014 rishinga ingene Reta n'amakomine bishingisha imanza z'ukwishuza amafaranga yarishwe kubera amakosa yakozwe n'abo Reta yashinze amabanga, abakozi bayo n'ab'amakomine ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 24 Nzero 2018 rihindura Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 4 Ruhuhuma 2008 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta mu Burundi ;

Vu la Loi n° 1/01 du 13 novembre 2020 portant Modification de la Loi n° 1/08 du 28 avril 2011 portant Organisation Générale de l'Administration Publique ;

Vu la Loi n° 1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret- loi n° 1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ;

Vu la Loi n° 1/03 du 8 février 2023 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Revu le Décret-loi n°1/024 du 13 juillet 1989 portant Cadre Organique des Administrations Personnalisées ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

**PROMULGUE :**

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 rihindura Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 28 Ndamukiza 2011 ritunganya muri rusangi ibisata vya Reta vyerekeye intwaro ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo Itegeko-bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 8 Ruhuhuma 2023 rishinga amategeko agenga abakozi ba Reta ;

Asubiye kwihweza Itegeko-bwirizwa inomero 1/024 ryo ku wa 13 Mukakaro 1989 rishinga amategeko agenga ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega ;

Inama nshikiranganji imaze kubica irya n'ino;

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DE L'OBJET, DU CHAMP D'APPLICATION, DES DEFINITIONS ET DE LA CREATION

## IGICE CA I : IVYEREKEYE INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA, IVYO RYEREKEYE, INSIGURO Y'AMAJAMBO HAMWE N'ISHINGWA RY'IBISATA VYA RETA VYITUNGANIRIZA IBIJANYE N'INTWARO HAMWE N'IKIGEGA

### Section 1 : De l'objet et du champ d'application

### Agace ka 1: Intumbero y'iri bwirizwa n'ivyo ryerekeye

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet de déterminer les règles générales régissant les administrations personnalisées de l'Etat.

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gutomora amategeko agenga muri rusangi ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega.

**Article 2 :**
La présente loi s'applique aux administrations personnalisées de l'Etat selon leur objet principal.

**Ingingo ya 2 :**
Iri bwirizwa rikurikizwa ku bisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega hakurikijwe intumbero nyamukuru yavyo.

### Section 2 : De la définition

### Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

**Article 3 :**
Au sens de la présente loi, une administration personnalisée de l'Etat est un service public déconcentré présentant un caractère technique spécifique, doté d'une personnalité juridique, d'un patrimoine propre et d'une autonomie de gestion administrative et financière dont l'organe responsable est placé sous l'autorité directe et le contrôle hiérarchique d'un ministre.

**Ingingo ya 3 :**
Muri iri bwirizwa, igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega ni igisata ca Reta gifise ico ciharije, gitunganijwe hakurikijwe amategeko akigenga, gifise amatungo yaco kandi citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega, kikaba gikukira kandi gisuzumwa n'umushikiranganji gikukira.

### Section 3 : De la création

### Agace ka 3 : Ishingwa ry'ibisata vya Reta

**Article 4 :**

Les administrations personnalisées de l'Etat sont créées par décret.

Le décret indique la dénomination, le siège, les missions, ainsi que le ministre sous l'autorité duquel le service est placé.

**Ingingo ya 4 :**

Ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega bishigwaho n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu riratomora izina n'icicaro vy'ico gisata, imirimo gishinzwe hamwe n'umushikiranganji gikukira.

Il décrit également l'organisation administrative, financière et comptable du service.

Iryo tegeko riratomora kandi ingene ico gisata gitunganijwe mu bijanye n'intwaro, ikigega hamwe n'uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka.

## CHAPITRE II : DE L'ORGANISATION ADMINISTRATIVE

## IGICE CA II : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'INTWARO

**Article 5 :**
Toute administration personnalisée est placée sous l'autorité hiérarchique d'un ministre. Elle est administrée par un directeur général assisté d'autant de directeurs que de besoin.

**Ingingo ya 5 :**
Igisata ico ari co cose citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega gikukira umushikiranganji. Kirongorwa n'umuyobozi mukuru yunganiwe n'abayobozi, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

**Article 6 :**
Le directeur général et les directeurs constituent le comité de direction, organe d'administration, dont les attributions sont déterminées dans le décret de création.

Il est investi, sous l'autorité du ministre, de tous les pouvoirs nécessaires pour assurer la gestion et la coordination de toutes les activités.

Le directeur général est responsable de l'exécution des instructions du ministre.

Il représente l'administration personnalisée dans ses rapports avec les tiers.

**Ingingo ya 6 :**
Umuyobozi mukuru hamwe n'abayobozi bagize urwego nyobozi, imirimo yarwo ikaba itomorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho ico gisata .

Umuyobozi mukuru afise ububasha bwose bukenewe kugira atunganye yongere akurikiranire hafi ibikorwa vyose vy'ico gisata, agakora yisunze intumbero ahabwa n'umushikiranganji igisata gikukira.

Umuyobozi mukuru ni we ajejwe ishirwa mu ngiro ry'intumbero ahabwa n'umushikiranganji.

Niwe aserukira igisata citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega mu migenderanire ico gisata kigiriranira n'abandi.

**Article 7 :**
Une administration personnalisée comprend autant de directions et de services que de besoin. Leur nombre et leurs attributions sont fixés par le décret de création.

**Ingingo ya 7 :**
Igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega kigizwe n'ubuyobozi hamwe n'ibisata uko bingana bikavana n'ibiba bikenewe. Igitigiri cavyo n'imirimo bijejwe bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho ico gisata.

**Article 8 :**
Les organes de contrôle d'une administration personnalisée de l'Etat sont l'inspection générale du ministère dont elle relève et d'autres organes d'inspection ou de contrôle prévus par les lois et règlements.

**Ingingo ya 8 :**
Inzego zigira isuzuma mu gisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega ni ubugenduzi bukuru bw'ubushikiranganji ico gisata gikukira hamwe n'izindi nzego z'ubugenduzi canke zijejwe isuzuma zitegekanijwe n'amabwirizwa hamwe n'amategeko.

**CHAPITRE III : DE L'ORGANISATION FINANCIERE ET COMPTABLE**

**IGICE CA III : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'IKIGEGA HAMWE N'IHARURWA RY'AMAFARANGA YINJIRA N'AYASOHOKA**

**Article 9 :**
Le décret portant création d'une administration personnalisée de l'Etat détermine l'origine des ressources et la nature de ses dépenses.

**Ingingo ya 9 :**
Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega riratomora ahava uburyo ico gisata gikoresha hamwe n'ivyo kibukoreshamwo.

**Article 10 :**
La comptabilité d'une administration personnalisée de l'Etat est soumise au règlement général de la comptabilité publique. Elle est tenue en partie double conformément aux règles du plan comptable de l'Etat.

**Ingingo ya 10 :**
Iharurwa ry'amafaranga yinjira n'ayasohoka y'igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega ryisunga amategeko akurikizwa mw'itunganywa ry'amafaranga ya Reta yinjira n'ayasohoka. Iryo tunganywa rigirwa mu kwerekana neza ikonte amafaranga avako n'iyo ashirwako hisunzwe amategeko aringaniza ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

**Article 11 :**
Toute dépense doit être engagée par la direction ou par un agent du service régulièrement délégué à cet effet.

**Ingingo ya 11 :**
Amafaranga yose asohoka ategerezwa kwemezwa n'ubuyobozi canke umukozi w'igisata abitumwa hisunzwe amategeko.

**Article 12 :**
Les revenus générés par les administrations personnalisées de l'Etat, suite à la vente des services publics, sont directement versés sur le compte du Trésor public.

**Ingingo ya 12 :**
Amafaranga yinjijwe n'ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega, avuye mw'igurishwa ry'ivyo abanyagihugu bakeneye, aca ashirwa kw'ikonte y'ikigega ca Reta.

**Article 13 :**
Les marchés de travaux, de fournitures et de services, passés par les administrations personnalisées de l'Etat sont soumis à la législation relative aux marchés publics de l'Etat.

**Ingingo ya 13 :**
Amasoko yerekeye ibikorwa, ibikoresho n'ubuzi atangwa n'ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega yisunga amategeko agenga amasoko ya Reta.

**Article 14 :**
Le directeur général établit chaque année des prévisions budgétaires qu'il soumet au ministre dont il relève pour approbation et intégration dans le budget du ministère.

**Ingingo ya 14 :**
Umuyobozi mukuru arategura ku mwaka ku mwaka amafaranga ategekanywa gukoreshwa akabishikiriza umushikiranganji igisata gikukira kugira avyemeze hanyuma ace ayashira mu gitigiri c'amafaranga ategekanijwe gukoreshwa n'ubushikiranganji.

**Article 15 :**
Le budget d'une administration personnalisée est inscrit au budget du ministère exerçant l'autorité hiérarchique sur elle.

**Ingingo ya 15 :**
Amafaranga igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega gitegekanya gukoresha ku mwaka aharurwa mu mafaranga ubushikiranganji ico gisata gikukira butegekanya gukoresha ku mwaka.

**Article 16 :**
L'exercice budgétaire court du 1er juillet au 30 juin de l'année suivante.

Toutefois, le premier exercice débute à la date du début d'activités de l'administration personnalisée et, si cette date tombe après le 31 décembre, le terme peut être reporté au 30 juin de l'année suivante.

**Ingingo ya 16 :**
Ikiringo Reta itegekanya gukoreshamwo amafaranga giharurwa kuva kw'igenekerezo rya mbere Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi ry'umwaka ukurikira.

Ariko, ikiringo ca mbere gitangura kw'igenekerezo ibikorwa vy'igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega vyatanguriyeko, mu gihe iryo genekerezo rishitse inyuma y'igenekerezo rya 31 kigarama, iryo genekerezo rirashobora kwungururizwa kw'igenekerezo rya 30 Ruheshi ry'umwaka ukurikira.

**Article 17 :**
A la fin de l'exercice budgétaire, le directeur général transmet au ministre hiérarchique et au Ministre ayant les finances dans ses attributions le rapport d'exécution budgétaire.

**Ingingo ya 17 :**
Mu mpera z'umwaka ukoreshwamwo amafaranga yategekanijwe gukoreshwa, umuyobozi mukuru ararungikira umushikiranganji igisata gikukira hamwe n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta, icegeranyo c'ingene amafaranga yari ategekanijwe gukoreshwa ku mwaka yakoreshejwe.

## CHAPITRE IV : DU STATUT DU PERSONNEL

## IGICE CA IV : IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI

**Article 18 :**
Chaque administration personnalisée de l'Etat est dotée d'un statut du personnel approuvé conjointement par le ministre hiérarchique et le Ministre ayant les finances dans ses attributions.

Le statut du personnel peut être complété par le règlement d'ordre intérieur.

**Ingingo ya 18 :**
Igisata kimwe kimwe cose ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega kirafise amategeko agenga abakozi yemezwa n'umushikiranganji ico gisata gikukira hamwe n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta.

Amategeko agenga abakozi ashobora kwunganirwa n'amategeko ntunganyabikorwa.

**Article 19 :**
Le personnel d'une administration personnalisée comprend :

1° des membres du comité de direction ;

2° des cadres détachés ;

3° du personnel permanent ou temporaire engagé conformément au statut du personnel propre à l'administration personnalisée ou au Code du travail.

**Ingingo ya 19 :**
Abakozi b'igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega bagizwe n'aba bakurikira :

1° abagize urwego nyobozi ;

2° abakozi bakuru ba Reta bava mu bundi buzi bwa Reta ;

3° abakozi ba misi yose canke bafise akazi kamara igihe gito bahabwa akazi hisunzwe amategeko agenga igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega canke hisunzwe Igitabu c'amategeko agenga akazi.

**Article 20 :**
La rémunération et l'avancement des cadres et agents permanents d'une administration personnalisée tient compte des principes directeurs édictés par le document de politique salariale équitable.
Le salaire est composé des éléments fixes tels que déterminés par la politique salariale équitable.

**Ingingo ya 20 :**
Agahembo n'ugutera imbere mu kazi ku bakozi bakuru no ku bakozi batoyi bamaho b'igisata ca Reta citunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega bifatira ku ngingo ngenderwako zitegekanijwe mu rwandiko rwa poritike y'ugukuraho ubusumbasumbane bw'imishahara.
Umushahara ugizwe n'ibintu bidahinduka nk'uko bitomorwa na poritike y'ugukuraho ubusumbasumbane bw'imishahara.

**Article 21 :**
Le directeur général engage ou licencie le personnel permanent ou temporaire du service conformément aux dispositions du statut du personnel propre au service et du Code du travail.

**Ingingo ya 21 :**
Umuyobozi mukuru aratanga akazi canke akirukana abakozi ba misi yose canke abakozi bamara igihe gito b'igisata hisunzwe ibitegekanijwe mu mategeko agenga abakozi b'ico gisata canke hisunzwe Igitabu c'amategeko agenga akazi.

## CHAPITRE V : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

## IGICE CA V : IVYEREKEYE INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Article 22 :**
Les textes régissant les administrations personnalisées existantes doivent se conformer aux dispositions de la présente loi dans un délai d'une année à compter de son entrée en vigueur.

**Ingingo ya 22 :**
Amategeko ashiraho ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro hamwe n'ikigega ategerezwa kuroranishwa n'iri bwirizwa mu kiringo c'umwaka giharuwe kuva rino bwirizwa rigiye mu ngiro.

**Article 23 :**
A la promulgation de la présente loi, les conseils d'administration en place sont abolis. Leurs missions sont accomplies par le comité de direction.

**Ingingo ya 23 :**
Iri bwirizwa rimaze gutangazwa, inzego nshingwantwaro zari zihasanzwe zica zihagarikwa. Imirimo zahora zikora ica irangurwa n'urwego nyobozi.

**Article 24 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Ingingo ya 24 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Article 25 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 07 juin 2024**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

**Ingingo ya 25 :**
Iri bwiriza ritangura gushirwa mu ngiro kuva ku musi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 07 Ruheshi 2024**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGO CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Domine.**